Agence de Régulation et de Contrôle des Assurances

ARCA

**ITANGAZO RISHIKIRIJWE N'URWEGO RWA LETA « ARCA » RUJEJWE GUGENZURA NO GUCUNGERA IVYEREKEYE GUTEGANIRIZA IMPANUKA (ASIRANSI) KU VYEREKEYE KUBUZA ISHIRAHAMWE « SOGEAR » GUTANGA AMASEZERANO YO GUTEGANIRIZA IMPANUKA (KWIBUTSA).**

Hisunzwe uburyo bw'ukugenzura ingene ibikorwa vy'uguteganiriza impanuka birangurwa bushingwa n'ingingo ya 367 y'ibwirizwa rigenga ivyerekeye guteganiriza impanuka, Urwego rwa Leta « ARCA » rujejwe kugenzura no gucungera ivyerekeye guteganiriza impanuka (asiransi) ruribukije abantu bose ko Urwego nshingwantwaro rwa ARCA rwafashe ingingo N°540/93/001 yo kuwa 08 Ntwarante 2024 ibuza ishirahamwe SOGEAR gutanga amasezerano yo guteganiriza impanuka (asiransi) y'ubwoko bwose canke kuyongerereza ikiringo gushika inzindi ngingo zifatwe.

Intumbero y'iri tangazo n'iyo kumenyesha abantu bose ko iyo ngingo itarahinduka, kubera inzego za SOGEAR zitarafata ingingo zose z'ukuzamura ubutunzi bw'iryo shirahamwe.

Urwego ARCA ruboneyeho akaryo ko kumenyesha no kugabisha abateganiriza impanuka ko gufata amasezerano mw'ishirahamwe riteganiriza impanuka ritabifitiye uruhusha bibangamira inyungu z'uwuteganiriza ndetse n'izabashobora guhura n'isanganya kuko biheza bikagorana ko bashumbuswha mu gihe isanganya ribaye.

**BIGIRIWE I BUJUMBURA KW'IGENEKEREZO RYA 21/11 /2025**

**UMUNYAMABANGA MUKURU W'URWEGO ARCA**

**Hon. Dr. Joseph BUTORE**

REPUBLIQUE DU BURUNDI A.R.C.A Tél : 22 27 63 46 22 27 63 47 Agence de Régulation et de Contrôle des Assurances

REPUBLIQUE DU BURUNDI- BUJUMBURA. 51, Boulevard du Japon. Immeuble du Ministère des Finances, 2ème Etage.
B.P. 7384 Bujumbura. Tél + 257 22276346/ 47. Site Web : www.arca.bi. Email : arca@arca.bi